Kontakt: Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

Juli / Mukakaro2020 *kirundi*

Ndi kumwe namwe imisi yose gushika ku muhero w'isi!

(Matayo 28,20)

Ha abantu umwete!
Encourage!

Bakunzi b'Ijambo,

Igihe yari agishika yari umuntu atinya kandi afise amazinda. We -yari umusore w'umunyeshure kandi asa n'umunyamahanga. Umwigeme nawe yari umunyeshule yamaze kumenyera kandi yiyumva ko ari muhira. Uyo musore yariko arondera inzira, amubaza ko yoshobota kumuzimurura. Ariko n'uyo mwigeme ntaho yari azi. Niko guca asokorora ubwo nyene iterefone yiwe mu mupfuko, atangura kurondera iryo barabara yifashishije ubuhinga bubigenewe „google – carte“. Yaciye atora icumbi adatevye. Aca akura mu mupfuko agapapuro yandikira ibarabara uyo musore, yari asanzwe avuga nabinabi icongereza, aramugenekereza neza aho aja. Nya musore ayakirana ubukengurutsi n'ubwinengesere bwinshi, yumvisha uyo mwigeme ko „ ukwo kumuha umwanya be n'ukumurwanako gurtyo atavyo yari bwigere abona na rimwe muri ico gihugu!“

Kwumvisha umuntu uti : „nturi wenyene! Iyo niyo yari inzira ya Yezu. „Hagize uwuguhatira kugira intaho y'igihumbi, mukurikire mugire ibihumbi bibiri!“ uko niko Yezu yabwiye abigishwa biwe. N'ukuvuga ko nk'umuntu agusavye kumwereka inzira, ca umujana gushika umushikane aho aja. Na Yezu amaze kuzuka, agira asubire kwa Se wiwe, yarumvise ko abigishwa biwe bari bakimukeneye. Niho rero yaciye abahumuriza ari „ ni mubimenye, ndi kumwe namwe imisi yose gushika ku muhero w'isi!“ (Matayo 28,20).

Papa Francisko niwe yavuze itariki 17 Ntwarante 2020 imbere y'ikibanza kigaragara citiriwe Petero Mweranda ati : „ Mu mibereho y'abantu, eka no mu ngo zacu, turategera ko ata kintu kibabaza nko kwumva uwukubaza ati : „mbega jewe hari ico ubona nkumariye?“ Iryo ryungane riradukorako gushika no mu ndiba y'umutima. Burya kwumva ko ufise akamaro, kandi ko utari wenyene, biratanga umwizero n'amahoro.

Ingo rero ntitureke ngo tube inyakamwe. Dufashe mungenzi wacu, muri ico tubona ubu akeneye! - **Ha abandi umwete! Encourage!**

Ku bwa go4peaceTeam Meinolf Wacker